# *BURUNDI*: ABENEGIHUGU BUGARIJWE N'UBUKENE MU BUZIMA BUGOYE CANE

## *IVY'UBUTUNZI, IMIBANO N'IMFASHANYO Y'ABATISHOBOYE BITEYE AMAKENGA*

### *Ibimenyetso bimwe bimwe biranga abarundi bashika hafi i miliyoni 12*



**83.4%** b'abenegihugu bari munsi y'urwego rw'ubukene mu 2019

(inkomoko : ibanki y'isi)

Abarundi badafise amakenga yo kubura imfungurwa ni ibice **28%** gusa vy'abenegihugu, 58% nabo bakaba bahanzwe n'ukutaronka imfungurwa zikwiye

Ibice **52%** vy'abana bari munsi y'imyaka itanu barazingamye

(inkomoko: PAM)

Abantu **100 000** bahuye n'impanuka z'ivyaduka, 44 222 muribo barateshejwe ingo zabo mu 2020

Abantu imiliyoni **2,3** bakeneye imfashanyo z'abatishoboye

(inkomoko: OCHA)

Ubushobozi bwo kwivuza bubangamiwe n'ubukene bwinshi hamwe n'uko amavuriro afise ubuhinga n'ubushobozi bukwiye bwo kuvura neza ari make cane

Abantu **176 000** (98% muribo akaba ari abakenyezi) bakeneye gukingirwa, cane cane mu vyerekeye amabi afatiye ku gitsina

Abana barenga **160 000** bari hagati y'imyaka 3 na 16, harimwo n'abakobwa 80 000, bashobora kutaja mw'ishure canke bagateshwa ishure mu 2021



## *IVYAHA BIKURU BIKURU BIGIKORERWA ABENEGIHUGU*

Abenegihugu basabwa intererano za Leta canke z'umugambwe uri ku butegetsi ; kenshi ziba zidafatiye ku mategeko

Amabi akozwe n'imbonerakure agira ingaruka mbi kuri benegihugu

Abenegihugu batanga amahera ku gahato kubera iterabwoba ryo gufatwa no gufungwa bidaciye mu mategeko

Abenegihugu badakingiwe na Leta y'Uburundi mu vyerekeye uburengazira bwo kubaho no gutunganirizwa n'ubutungane: imivyimba myinshi itorwa mu bibanza rusange igaca izikwa ata matohoza akozwe canke ngo nya bahisi bamenyekane

Vyakozwe itariki: 16 Nyakanga 2021 N'umugwi utohoza ivy-i Burundi, https://www.ohchr.org/FR/HRBodies/HRC/CoIBurundi/Pages/CoIBurundi.aspx